Amajambo ahereza muri Bibiliya yerekeye Ijuru ni ubutumire bw'igitangaza. "Hanyuma mpwemu n'umugeni baravuga, 'ingo!' Kandi reka uwuri n'amatwi avuge ati, 'ingo!' Kandi reka uwufise inyota aze. Kandi uwifuza wese, reka anywe ku mazi y'ubugingo ku buntu."

Ijuru, Aheza mu Nzu y'Imana

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya tuyisanga muri

Yohana 14; 2 Korinto 5;
Ivyahishuriwe 4, 21, 22

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Ijuru, Aheza mu Nzu y'Imana



Yanditswe na Edward Hughes
Amashusho ashirwamwo na Lazarus

Isobanurwa mu Kirundi na
Rémy Christian NTIRURIKURE
Itunganywa na Sarah S.

Inkuru 60 kuri 60

M1914.org

Bible for Children, PO Box 3, Winnipeg MB R3C 2G1 Canada

Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Ingen Jehovah kole kikeyai tuguk che yachen, che kuren Tengekto. Melektab Tengek ko meet.

Kichamech Jehovah kot missing, kot koyok werinyin, Jeiso, komechech en kimurtoiyot ak kolipan besendanyon. Kinyo Jeiso kosobe ak kowek kwo Kipsengwet! Inguni komuche Jehovah konyoun kaat Tengekwokikuk.

Angot imoche istoenge
Tengekwokikuk, imwochi Jehovah kole:
Ee Jehovah, ayani ale kimechon Jeiso ako raini kosobe kora. Asome ale ichutu oritab sobenyun ak inyoiwon kaat Tengekwokikyuk asi anyor sobet ne leel inguni ak tun kemeng'isye tuwan kipkoi ak kipkoi. Toreton asob ko a lakweng'ung. Amen. Johana 3:16

Soman Bukuit ne Tilil ak ong'alal ak
Jehovah en betut age tugul!

Kirundi

Igihe Yesu yaba kw'isi,yabwiye abigishwa biwe ivyerekeye Ijuru. Yaryita "Mu Nzu kwa Data", araheza ababwira ngo hari amazu menshi. Urugo runini ruba rugizwe n'amazu menshi meza. Ijuru ni rinini kandi ni ryiza gusumba inzu zose zo mw'isi.

Yesu aravuga, "Ngiye kubategurira ahanyu. kandi ko ngiye kubategurira ahanyu, nzogaruka kubajana iwanje."

Yesu yagiye mw'Ijuru, inyuma y'aho azutse mu bapfuye. Igihe abigishwa Biwe bariko baramuraba, Yesu yurizwa mu kirere, hanyuma igicu kiramwakira gushika aho batakimubona.

3

Kuva ico gihe, Abakristo baribuka isezerano rya Yesu ko azogaruka kandi akabajana. Yesu yaravuze ko azogaruka giturumbuka, igihe ata n'umwe amwiteze. Mbega ni gute ku Bakristo bapfa imbere y'uko agaruka? Bibiliya ivuga ko bagenda ubwo nyene kubana na Yesu. Kuba utari mu mubiri ni ukuba uri kumwe n'Umwami.



4

Ivyahishuriwe Yohana, igitabo ca nyuma ca Bibiliya, kitubwira ingene Ijuru ari igitangaza. Ikintu gitangaje gusumba ibindi ni ico, mu buryo butangaje, Ijuru ni i nzu y'Imana. Imana iri hose, ariko Inganji yayo iri mw'Ijuru.



5

Abamarayika n'ibindi vyaremwe vyo mw'Ijuru bihimbaza Imana. Niko n'abantu bose b'Imana bapfuye bakaja mw'ijuru bagira. Baririmba indirimbo zidasanzwe z'amashimwe y'Imana. N'aya majambo amwe amwe ava mu ndirimbo imwe baririmba:



6

BIRAKUBEREYE KWABIRA IGITABO, NO KUMENA IBIKIMATANIJE KUKO WISHWE, UGACUNGURIRA IMANA ABO MU MIRYANGO YOSE NO MU NDIMI ZOSE NO MU MOKO YOSE NO MU MAHANGA YOSE UBACUNGUJE AMARASO YAWE. (Ivyahishuriwe yohana 5:9)



7

Impapuro za nyuma zihereza za Bibiliya zivuga Ijuru nka "Yerusalemu Nshasha". Ni igisagara kinini, kinini cane, n'uruhome rurerure hanze. Urwo ruhome rukozwe n'ibuye ry'agaciro rya Yasipi, rikayangana nk'akabuyenge.



8

Ibitako hamwe n'amabuye y'agaciro niyo afutse umushinge w'urwo ruhome, ukakaka n'amagarwe y'igitangaza. Irembo ryose ry'igisagara rigizwe n'urudede runini vy'igitangaza!



9

Ayo marembo manini akozwe mu ndede ntiyigera yugarwa. Reka twinjire turabe impande n'impande … Yoo! Ijuru ni ryiza cane n'imbere. Igisagara gikozwe mu nzahabu z'umwakaka, nk'icirore ciza. Ndetse n'amabarabara akozwe mu nzahabu.



10

Umugezi w'amazi meza y'umusarara kandi y'ubugingo atemba ava ku ntebe y'Inganji y'Imana. Ku mpande imwe y'umugezi hari igiti c'ubugingo, ca giti caboneka mw'ishamba rya Edeni. Iki giti ni igiti kidasanzwe. Cama ivyamwa cumi na bibiri bitandukanye, buri kwezi icamwa gitandukanye. Kandi amababi y'ico giti ni ayo gukiza amahanga.



11

Ijuru ntirikeneye izuba canke ukwezi kubw'umuco. Ubwiza bw'Imana bwonyene burahuzuza umuco w'igitangaza. Nta joro ryigera rihaba aho.



12

Ndetse n'ibikoko aho mw'ijuru biratandukanye. Vyose birahuza kandi biracuditse. Idubu n'imyagazi y'intama birisha ubwatsi hamwe. Mbere n'intambwe zihambaye zirisha umukenkekenke nk'impfizi. UHORAHO aravuga ati, "Ntibizokomeretsanya canke ngo vyice ku Musozi Wanje wera."



13

Turiko turaraba impande n'impande, tubona hari ibintu tutabona mw'ijuru. Nta majambo yo kuraka yigera yumvikana. Nta n'umwe agwana n'uwundi canke abe ingunge.

14

Nta magufuri ku miryango, kuko nta bambuzi mw'Ijuru. Nta babeshi, nta bicanyi, nta barozi, canke abandi bantu b'abanyakibi. Nta caha na kimwe c'ubwoko ubwo ari bwo bwose mw'ijuru.

15

Mw'ijuru hamwe n'Imana ntagusubira kurira. Rimwe na rimwe, abantu b'Imana barira kubera imibabaro ikomeye mu buzima. Mw'Ijuru, Imana izohanagura amarira yose.

16

Nta n'urupfu mw'Ijuru. Abantu b'Imana bazokwamana n'Umwami ibihe bidashira. Nta mubabaro uzobaho kandi, nta marira azobaho kandi, nta kubabazwa bizobaho. Nta ngwara, nta gutandukana, nta maziko. Umuntu wese mw'Ijuru azonezererwa hamwe n'Imana ibihe bidashira.

17

Iciza hejuru ya vyose, Ijuru n' iry'abana bose (hamwe n'abakuze nabo nyene) bizeye Yesu Kristo nk'Umukiza wabo bakongera bakamwumvira nk'Umwami wabo. Mw'ijuru hariho igitabu citwa Igitabo c'Ubugingo c'Umwagazi w'Intama. Cuzuye amazina y'abantu. Mbega murazi amazina yanditswemwo? Abantu bose bashize ukwizera kwabo muri Yesu.

Mbega izina ryawe ryanditswemwo?



18